VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# Ilvyo Abantu b'i Vermont bakeneye mu Gisata c'Amagara y'Abantu

**Rusama 2024**

Isuzuma ry'umwaka wa 2024 ryerekeye Amagara y'abantu muri iyi Reta ni incamake y'ivyo tuzi ku bijanye n'amagara n'ukubaho neza vy'abantu i Vermont. Iri tororokanywa ritoya ry'amakuru rirerekana ivyo basanze ko bikenewe ku bijanye n'ubuzima bw'abantu bo muri Vermont. Harimwo amakuru avuye mu yashobora kubonwa na bose hamwe no mu mahuriro y'ibiganiro n'ibiyago vyatanzwe n'abafatanyabikorwa bo mu karere hamwe n'abantu babifisemwo ubumenyi.

## Ivyagaragagaye nyamukuru

- **Abantu bakuze**: Ibice 34.8 kw' ijana vy' abanyagihugu bo muri Vermont bafise imyaka 55 canke irenga ugereranije n' ibice 29 kw' ijana muri Amerika. Uyu niwo mugwi wiyongera ningoga muri Reta.
- **Uko abantu bahaba bari biriko birahinduka**: Igitigiri c'abanya Vermont batari abazungu cariyongereye incuro zibiri mu myaka 15 iheze.
- Ibibazo vy' amazu, ubuzima buzimvye, **hamwe n' ukuronka ubufasha bw' ubuvuzi busanzwe n' ubwo mu mutwe biragoye** cane ku bantu baba i Vermont batari abazungu, abari mu muryango LGBTQ+, abanya Vermont bakuze, abasangwabutaka , abanya Vermont bagendana ubumuga, n' abatagira uburaro.

**"Ndabura uko ndonka umujanama, ntanumwe agiye kumfasha, rero ndagiye kumira ikinini. Ngiye kurasa hejuru, ngiye gukora icarico cose nokora kugira ngo nikure mu mutwe wanje ibi vyiyumviro bibi vyose. Nta bufasha buhari."**

- Iduzwa ry' ibiciro ryashize abanya Vermont benshi **mu kaga mu bijanye n**' ubutunzi.
- **N**' aho umuntu afise ubwishingizi, amafaranga ariha ku giti ciwe ku bijanye n' ubuvuzi arushiriza kuba umutwaro ku mafaranga make umuryango winjiza.
- Muri 2020, **Ibice 26.1** kw' ijana vy' abahamagara kuri 2-1-1 bari ababaza ivy'uburaro, ubuzi, canke ubufasha bwo kwinjiza amafaranga.
- **Ukubura uburaro vyariyongereye ku bice 197 kw' ijana** kuva 2020, kandi vyiyongereye kurusha ku bantu atari abazungu hamwe n'abasangwabutaka. Kuva 2022 gushika 2023 harabonetse ubwiyongere bwo kubura uburaro ku bice 36 kw' ijana mu miryango ifise abana.

**"Ibiciro vyo gupanga biriko biraduga bikaduga kandi bikaduga, turiko turiha menshi kandi atakintu na kimwe gihinduka mu mazu, nivyo? Ni nk'ukwiyongera kudasanzwe ata nyungu nimwe yiyongereye."**

**"Si vyiza ku muntu afise Kanseri yo mu maraso kurindira amezi 4 kugira aronke ubuvuzi. Bamwe mu barwaye Kanseri yo mu maraso bashobora guhitanwa n' indwara mu gihe gito kurusha iki."**

- **Ubukene bw**'abatanga ubuvuzi muri leta butuma ibikorwa biteba hakaba kurindira umwanya munini. Igice kimwe ca gatatu c' abanya Vermont bose bamara igihe kinini barindiriye **bahura n**'ububabare bw' umubiri n' ubw' umutwe hamwe no kugabanuka kw' ubuzima rusangi.

- Abarenga igice kimwe ca gatatu c' abanya Vermont bose bamenyesheje **ko** bafise ibimenyetso vy' **akabonge** n' agahinda muri 2021. Iduga ry' igitigiri **c**' abiyahura riri mu biguma vyiyongera cane mu gihugu.

| Igipimo c' abapfa ciyongera muri Vermont ( Ku bantu 100,000) | VT | Amerika |
|---|---|---|
| Indwara y' umutima y' inyuma y' umutima. | 101.3 | 91.5 |
| Ukwiyahura | 17.7 | 13.8 |
| Gukomereka bitakuvuyeko | 59.7 | 50.4 |
| Kanseri | 156.1 | 149.4 |

- Mu banya Vermont 6,000 abafise imyaka iri hagati ya 12 gushika kuri 17 bamenyesheje ko bafise ibimenyetso vy'akabonge muri 2021, **ibice 41 kw'ijana ntibashoboye kuvurwa.** Ibice 25 kw' ijana bahisemwo kutivuza indwara zo mu mutwe, babikoze kubera **igiciro.**

- Abanya Vermont benshi bagenda mu vyumba vy' **ibibazo vyihutirwa** kugira ngo baronke ubuvuzi bw' ibanze kandi bakaja ku baganga b' ibanze kugira ngo bababafashe ku bibazo bijanye n' imibereho n' ubukene, nko gutora ahantu hizewe, uburaro butazimvye n' ibifungurwa vy' ingira kamaro.

- **Iduga ry' ikoreshwa ry' ibiyayura mutwe.** Ibice 22 kw' ijana vy' abanya Vermont bafise imyaka 12 n'iyirenga bamenyesha ko banyoye urumogi mu misi 30 iheze, ugereranije n' ibice 12 ku rwego rw' igihugu.

- I Vermont **harabaye iduga ry' ibice 10 kw' ijana** mu rupfu rw' abantu rutewe n' ibiyayuramutwe kuva mu mwaka wa 2021 gushika 2022.

- Bake cane mubanya Vermont baraja kwa muganga w' amenyo, bakavuga ko abatanga ubwo bufasha bataboneka bikwiye.

**Nimba uba mu bice vya ruguru cane, utegerezwa kurondera uko uhashika kandi nimba udashobora kunyonga imodoka, udafise imodoka, udafise umugenzi, biragoye cane.**

*Dufatanije na:*

C4BHI

## Ivyo turabirako:

- Ubusumbasumbane mu bijanye n'amagara ku rwego rw'akarereIgisata c'Amagara y'Abantu ca Kaminuza ya Wisconsin. Ibikoresho birimwo:
  - Amatohoza n'Amakuru vyerekeye Amagara y'Abantu vy'Igisata c'Amagara y'Abantu VT Department of Health Population
  - Ishami ry'Amakuru yo mu Gisata c'Inyigisho hamwe n'ivyegeranyo
  - Igitabu kijamwo amakuru y'ivya Kanseri i Vermont
  - Ikigo c'i Vermont c'Amakuru Yerekeye Ivyaha
  - Gukurikiranira Hagufi Amakuru Yerekeye Amagara y'Abantu n'Ibidukikije mu Gisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont
  - Ibiro vy'i Vermont vy'umutekano w'amabarabara makuru ya Reta.
  - Ibijanye n'incanco i Vermont
- Ikigega c'amakuru CARES, Kaminuza y'i Missouri. Amakuru ava ahantu hatandukanye, harimwo:
  - Ibiro vya Rusansuma vya Reta Zunze Ubumwe za Amerika
  - Amatohoza Akorwa ku Bantu bo muri Amerika (ACS)
  - Ibigo Bijejwe Kurwanya no Gukinga Indwara (CDC)
  - Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika (USDA)
- Ubuhinga bwo Kugenzura Ibishobora Gutuma haba Ingorane ziva ku Nyifato (BRFSS 2021)
- Uburinganire mu buvuzi ku basangwabutaka bazwi kw'izina rya Abenaki: Kuronswa vyoroshe Ubuvuzi bwiza bw'Amagara yo mu mutwe n'Amaseruvisi yerekeye gukoresha ibiyayura mutwe nk'uko vyanditswe na Maria Mercedes Avila, Christine Begay vining, Joshuaa Allison-Burbank, hamwe na Christine Velez
- Mu mwaka wa 2022 vyamenyeshejwe ko muri Vermont uwo mwanya nyene hari abantu batagira uburaro
- Ihinduka ry' ibirere hamwe n 'amagara, indwara zandukira, Igisata c' amagara ca Vermont
- Ibikorwa vyo gushikiriza amakuru y'umwimbu muri Vermont: Ikigereranyo c' abanyagihugu ba Vermont urabiye ku myaka : 2021 ugereranije na 2010
- Igisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont Imbonakazoza 2030
- Urugero rw'impfu zitewe no Gufata Imiti Irenze Urugero ufatiye ku Myaka n'Ivyabitumye , Igisata c'Amagara y'Abantu c'I Vermont
- Ivyegeranyo bihurijwe hamwe vy' integuro y' ikigo c' ubuvuzi (UDS) amakuru
- Ibiganiro ku bijanye na Covid: Ibipimo vya mbere vyabonetse n'inama, Igikorwa Rejoice , Kigarama 2020
- Ivyiyumviro vy amategeko vy' inama mpanuzwajambo vya leta ya Vermont
- VT Uruhande rw' amakuru ya Kanseri, Igisata c' Amagara y'Abantu i Vermont, Ruhuhuma 2023
- Amatohoza yerekeye Ibituma haba Ingorane zijanye n'Inyifato mu Miyabaga
- 3>4>50 Vermont, Igisata c' amagara y'Abantu i Vermont